REPUBLIQUE DU BURUNDI

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°15 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 17 MYANDAGARO 2022

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 17 Myandagaro 2022, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 10 Myandagaro 2022, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa rigenga intwazangabo mu gisirikare c'Uburundi**
2. **Integuro y'ibwirizwa rigenga ibisongerezi vy'intwazangabo mu gisirikare c'Uburundi**
3. **Integuro y'ibwirizwa rigenga abasirikare bato bato**

Izo nteguro uko ari zitatu zashikirijwe n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Urwego rwo kwivuna abansi rugengwa n'ibwirizwa n° 1/21 ryo ku wa 27 Ruheshi 2022 rishinga imirimo y'urwego rwo kwivuna abansi, ingene rutunganijwe, abarugize, ingene rukora n'ibisabwa mu kurwinjiramwo.

Ariko muri iki gihe, amategeko agenga intwazangabo, ibisongerezi, n'abasirikare batoya ashingwa n'amabwirizwa yo muri Kigarama 2010.

Twomenyesha ko Inama nshikiranganji yari yarize izo nteguro zisubiramwo ayo mabwirizwa yo mu mwaka w’2010 kandi irazemeza, ariko bica biba ngombwa ko ibwirizwa rigenga urwego rwo kwivuna abansi ryo mu mwaka w’2017 risubirwamwo, kugirango ryisunge Ibwirizwa Nshingiro ryo mu 2018.

Izi nteguro z’amabwirizwa rero zije kwisunga iryo bwirizwa ryo mu 2022, zikanafatira ku vyari bihari muri ayo mategeko yo mu 2010, zikongera, zikaba kandi zishiramwo ibitari bike bishasha bituma umusirikare ashobora gukora yisunze ibihe tugezemwo, haba mu bijanye n’imibano, ubutunzi, n’ibindi.

Izi nteguro zirashiramwo bishasha ku bijanye n’ivyo abasirikare bafitiye uburenganzira, ivyo bategerejwe n’ibitabangikanywa n’amabanga yabo, ivyerekeye uturusho dufatiye ku ngorane zijanye n’akazi kabo, uburambe mu kazi, ugufata mu mugongo umuryango w’umusirikare yitavye Imana akiri mu kazi, no gushigikira umusirikare akukurutse kugirango amenyere ubuzima bushasha yinjiyemwo.

Hari n’ibindi bishasha biri muri izi nteguro bifatiye ku dushirukabute n’uturusho tujanye n’ivy’akazi be n’ivy’imibano, mu ntumbero yo gutera intege abasirikare kubera akazi bajejwe katoroshe, n’impanuka bashobora kugira mu mirimo yabo.

Hari n’ibindi bishasha bijanye n’ingene akazi gatunganywa mu gisirikare, n’ivyerekeye inyifato mu kazi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino izo nteguro, **yarazemeje**, muvyashikirijwe harimwo ibi bikurikira**:**

- Kuraba ko uturusho dutegekanywa dusa n’uturi mu Gipolisi c’Uburundi ;
- Agahamba gatekererwa uwukukurutse kongana n’umushahara w’amezi ane aho kuba cumi n’abiri;
- Kuraba ko pansiyo y’ubusaza nk’uko itegekanywa muri izi nteguro ariko imeze mu Gipolisi c’Uburundi, bitari uko iyo ngingo ikavamwo;
- Kuraba ko ibitegekanywa ku musirikare yapfunzwe akezwa ku bijanye no kumuha umushahara yari kuronka ico gihe cose ariko bimeze mu Gipolisi, bitategekanijwe uko gukuramwo iyo ngingo, kuko gusubizwa mu kazi iyo yejejwe birahagije kanatsinda umuntu ahembwa iyo yakoze;

- Kwandika muri izi nteguro ko ingene ikarishabwenge ritunganywa bitomorwa n'itegeko.

4. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n$^0$ 100/15 ryo ku wa 23 Nzero 1987 rishinga ubugenduzi bukuru bw'ubucamanza,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubutungane.

Igihe Ubugenduzi bukuru bw'ubutungane bwashingwa mu mwaka w'1987, ubutumwa bwabwo nyamukuru kwari ugufasha Inama Nkuru y'Ubutungane mu kugenzura inzego z'ubutungane.

Ubwo butumwa bwagiye burasubirwamwo bwagurwa n'amategeko yagiye aratunganya ubushikiranganji bw'ubutungane aho ni mu mwaka w'2005, 2018 na 2020.
Ayo mategego uko yagiye arakurikirana ari atatu naho yaguye imirimo y'ubwo bigenduzi bw'ubutungane, ntiyinjiye mw'ido n'ido.

Mu nyuma ibwirizwa n $^0$ 1/09 ryo ku wa 13 Munyonyo 2020 risubiramwo ibwirizwa n $^0$ 1/08 ryo ku wa 24 Ndamukiza 2011 ritunganya ubuzi bwa Reta ryashinze ko mu bushikiranganji bwose hategerezwa kujaho Ubugenduzi bukuru.

Iyi nteguro rero ije:

- Gusubiramwo ingene ubugenduzi bukuru buhari bwubatse kugirango bujane n'igihe tugezemwo kugirango ubutungane bube kuri bose

- Kwisunga ibwirizwa ritunganya ubuzi bwa Reta;

- Gutomora neza imirimo y'ubwo bugenduzi bukuru kugirango ntihabe ukwinjiranamwo n'ibindi bisata nk'uko vyamye biza biribonekeza.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe mu kuyunganira navyo ni ibi bikurikira:

- Gukuraho ikibanza c'icegera c'umugenduzi mukuru w'ubutungane ;
- Gukura muri iyi nteguro ingingo zose zijanye n'uburusho butandukanye ;
- Gutomora ivyo abagenduzi bajejwe;
- Gutomora ko ibijanye n'ikoreshwa ry'amahera bizokurikiranwa n'uwujejwe gukurikirana ingene amahera asohoka nk'uko biri mu bushikiranganji (Comptable des Engagements des Dépenses);

- Ubushikiranganji bwose bwoshiraho ubugenduzi bukuru nk'uko ibwirizwa ribitegekanya;
- Ubugenduzi bukuru bw'ubutungane butegerezwa kuza buraraba ko ibiringo vyategekanijwe kugirango urubanza ntirusubire kugarukanwa imbere y'ama sentare vyubahirijwe, ntihagire imanza ziza zirasubira kuvyurwa kandi haciye ibihe birebire zaraciwe;

5. **Integuro y'itegeko ryerekana ibisata bija imbere y'ibindi mw'iterambere ry'ubutunzi bw'igihugu**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere

Ibwirizwa n°1/19 ryo ku wa 17 Ruheshi 2021 risubiramwo ibwirizwa n°1/24 ryo ku wa 10 Nyakanga 2008 rigenga ishingwa ry'imitahe mu Burundi riritegekanya ibisata abagwizatunga bavyipfuza boshiramwo imitahe ngaha mu Burundi.

Mu ntumbero yo guteza imbere no kworosha ishingwa ry'imitahe, igitabu c'amategeko agenga ishingwa ry'imitahe kiritegekanya uturusho turonswa abanyamitahe iyo baronkejwe urupapuro rwemeza ko igisata bashizemwo imitahe kiri mu vyashizwe imbere y'ibindi.

Ariko kugirango utwo turusho dutangwe, hariho ibisabwa n'ico gitabu c'amategeko.

Itorwa ry'ibisata biza imbere y'ibindi ryisunga ivyo Reta yashize imbere y'ibindi nk'uko biri mu Mugambi w'igihugu w'iterambere.

Ishirwaho ry'itegeko ryerekana ibisata bija imbere y'ibindi mw'iterambere rero, ni  ishirwa mu ngiro ry'ibwirizwa rigenga ishingwa ry'imitahe mu Burundi kuko iryo bwirizwa rivuga ko ivyo bisata bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu**.**

Iyi nteguro nayo ije gutomora ivyo bisata. Urwo rutonde rw'ibisata rufasha umunyamutahe kwibonera we nyene ko ahagaze neza kugirango asabe urupapuro rwemeza ko igisata yashizemwo umutahe kimurekurira kuronka uturusho dutegekanywa n'ibwirizwa rigenga ishingwa ry'imitahe.

Mu bindi bisabwa kugirango umugambi uje muyishirwa imbere y'iyindi, harimwo ibi bikurikira:

- Kwerekana neza ibiranga imodoka zizinjizwa zigenewe gutwara abantu n'ibintu ;
- Ihangiro ry'umunyamutahe mu migambi ijanye no guhingura ibintu;
- Ari umugambi wo mu bijanye n'amagara y'abantu, gushinga n'imiburiburi ibitaro bikuru (clinique);
- Ku bijanye no kwubaka inzu z'idandarizo canke zo gukoreramwo ubuzi, kwerekana ingene ikibanza kingana, ingene zizoba zigeretse, n'aho imiduga izohagarara.

Inama nshikiranganji imaze guhahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro **yarayemeje**, ivyashikirijwe mu kuyunganira navyo ni ibi bikurikira :

- Ku mutwe w'iryo tegeko, gutomora neza ko ari ibisata biza imbere y'ibindi mw'ishingwa ry'imitahe;
- Kwerekana ibisata biza imbere y'ibindi muri rusangi, ata kuja mw'ido n'ido ry'ibikorwa bizorangurwa;
- Gutomora muri iyi nteguro ko abakozi b'abanyamahanga bazoronswa ubuzi mu gihe ata Barundi bahari babishoboye.

6. **Integuro y'amasezerano yo kwimba ibizuku mu karere ka Kashiru, Komine Mugongomanga, Intara ya Bujumbura, bizokorwa n'ishirahamwe Trade Investment Partnership Company and General Trading (TIPC)**

7. **Integuro y'itegeko nshikiranganji riha ishirahamwe Trade Investment Partnership Company and General Trading (TIPC) uruhusha rwo kwimba ibizuku mu karere ka Kashiru, Komine Mugongomanga, Intara ya Bujumbura**

Izo nteguro uko ari zibiri zashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Agataka k'Uburundi karimwo ubutare bwinshi butandukanye, harimwo n'ibizuku.

Muri iki gihe, ibizuku bikoreshwa mu gucana kandi birashobora gusubirira inkwi. Nico gituma ishirahamwe Trade Investment Partnership Company

and General Trading (TIPC) ryihaye ihangiro ryo gukorera muri ico gisata kugirango rihingure amakara ava mu bizuku.

Uwo mugambi ushaka kuzana amasoko ntanganguvu asubirira inkwi kandi ku buryo butaremera imiryango.
Twomenyesha ko uwo mugambi ufise akantu kadasanzwe ko gukingira ibidukikije n'ibinyabuzima, kugirango ihindagurika ry'ibihe rigwanywe, no gukingira amashamba.

Uwo mugambi uzotwara amahera y'amarundi angana na miliyaridi zitandatu n'imiliyoni amajana atanu n'icenda n'ibihumbi ijana na mirongo itandatu na bitatu n'amajana atanu (6.509.163.500 Fbu).

Ibikoresho bimwe bimwe biramaze gushika, bishobora guhingura amakara y'ibizuku ari hagati y'amatoni mirongo ine (40) na mirongo umunani (80) ku munsi.

Iryo shirahamwe ryarasavye uruhusha nk'uko amategeko abitegekanya.

Ako karere ka Kashiru gashobora kuvamwo ibizuku bigera ku matoni ibihumbi amajana abiri (200 000). Iryo shirahamwe ritegekanya kwimbura amakara y'ibizuku agera ku matoni ibihumbi mirongo ibiri na bitanu (25 000) ku mwaka, ikiro kimwe naco kikazogurwa amahera amajana ane (400 Fbu).

Kubera akamaro uwo mugambi uzogira ku bidukikije no ku butunzi bw'igihugu, be n'uko bikenewe kurondera icosubirira ikwi zikoreshwa mu gucana, ishirahamwe Trade Investment Partnership Company and General Trading (TIPC) rirakwiye gushigikirwa rikaronswa urwo ruhusha.

Inama nshikiranganji yihweje uwo mugambi, yarabonye ko ari mwiza cane cane ko hazoba habonetse icosubirira inkwi zisanzwe zikoreshwa, ica **iremeza** izo nteguro. Ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira:

- Mu nteguro y'amasezerano, gushiramwo ingingo ivuga ikiringo ntarengwa ibikorwa vyoba vyatanguye, no kuraba ko iryo shirahamwe rifise impapuro zikenewe. Ico kiringo kirenzwe ata kirakorwa, ayo msezerano yoca aba impfagusa;

- Kuraba neza ko abasanzwe baharangurira ibikorwa bitandukanye boba baronkejwe umuzibukiro ;
- Gutomora ingene uburyo iryo shirahamwe rizogenera ibikorwa vy'iterambere muri ako karere bungana;
- Iryo shirahamwe rimaze gutangura guhingura ayo makara y'ibizuku, kuyamenyekanisha mu benegihugu kugirango bayakoreshe, co kimwe n'ikoreshwa ry'umukwa (gaz), be rero no gushiraho ingingo zituma ikoreshwa ry'inkwi rigabanuka;
- Kunyarutsa inagurwa ry'ishirahamwe ONATOUR naryo nyene rihingura amakara y'ibizuku, kugirango ibikorwa vyaryo ntibihave binigirwa mu menshi n'iri shirahamwe rishasha ;
- Gukorana n'ubushikiranganji bujejwe ibidukikije mw'irangurwa ry'uyu mugambi.

8. **Urwandiko rujanye n'ishirwa mu ngiro ry'itunganywa rishasha ry'imishahara mu bisata bikukira Reta bifise amategeko abigenga,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi.

Hisunzwe itunganywa rishasha ry'imishara ku bakozi ba Reta, ubu umushahara uzoba ugizwe n'ibi bikurikira:

- Amahera y'ifatiro yisunga urupapuro rw'umutsindo umukozi yazanye agitangura akazi be n'uburambe afise ;
- Amahera ajanye n'akazi nyezina akora hisunzwe ingene ubuzi bwatondetswe, iryo tondekwa naryo rikaba ryisunzee ibi bikurikira :
  - Ubumenyi ako kazi gasaba,
  - Ingene ako kazi kagoye n'ubuhinga gasaba;
  - Ukwitanga n'utwigoro ako kazi gasaba ;
  - Uruhara canke amabanga umukozi afise mu kazi.
- Amafaranga ajanye n'umwimbu umukozi yashitseko;
- Amafaranga yo gushigikira umukozi kubera umuryango wiwe.

Mu bijanye n'ishirwa mu ngiro ry'iryo tunganywa rishasha ry'imishahara, iraba inzego zose za Reta, naho zoba zifise ayandi mategeko yazo azigenga.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uru rwandiko, **yashinze** ibi bikurikira :

- Kwandika neza umutwe w'uru rwandiko bigatomoka ku inzego z'umutekano no kwivuna abansi ziterekewe n'iri tunganywa rishasha ry'imishahara;
- Kwandika ibiri muri uru rwandiko bikaba itegeko ry'Umushikiranganji wa Mbere ;
- Gushiraho umurwi w'abahinga uzofasha izo nzego mw'ishirwa mu ngiro z'iri tunganywa rishasha ry'imishahara ukazohabwa ikiringo kizwi;
- Abashikiranganji bajejwe umutekano no kwivuna abansi bosigurira izo zengo iyo politike ijanye n'itunganywa rishasha ry'imishahara kugirango ntibayitahure ukutariko;
- Ubushikiranganji bujejwe abakozi ba Reta buri kumwe n'abajejwe amasendika, bwotunganya ikiganiro kugirango basigure uyu mugambi kugira abakozi bawutahure neza.

## 9. Utuntu n'utundi

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje abashikiranganji ko Reta ya Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo yasavye ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko kuyifasha kugarukana amahoro mu buseruko bw'ico gihugu, Uburundi rero bukaba bwararungitseyo abasirikare, bakaba bazofashanya n'abasirikare b'ico gihugu mu kagarukana umutekano muri ako karere, no gufasha kunywanisha abenegihugu baho.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 18 Myandagaro 2022

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE